Kaminuza yitaho Ivyigwa bijanye n'Iterambere mu vy'Ubutunzi hamwe no mu-vy'Imibano (Institut d'Etudes du Développement Economique et Social, IEDES)
Kaminuza y'i Paris I Panthéon-Sorbonne
UMR 201-Développement & Sociétés

45 bis, avenue de la Belle Gabrielle
94 736 Nogent-sur-Marne Cedex, France
+33 1 43 94 72 15
iedes@univ-paris1.fr
http://recherche-iedes.univ-pari1.fr

Umigambi ufaswhe mu mugongo n'ibisata bikurikira :

Ikigabane ijejwe iv'Imigenderanire n'ibindi bihugu(Département fédéral des Affaires étrangères, DFAE

• Umuyobozi bujejwe Iterambere n'Ugufashanya (Direction du Développement et de la Coopération, DDC)

•Igisata kijejwe Umutekano w'Abantu (Division Sécurité humaine)
Palais Fédéral Ouest CH – 3003 Berne, Suisse
www.eda.admin.ch/eda

Ibiro vy'Ubuswise bijejwe ugufashanya (Bureau de la Coopération Suisse au Burundi, BUCO).
Agasandugu ka posita 6312, Bujumbura, Repuburika y'Uburundi
Iterefone: +257 22 24 49 32, Fax: +257 22 24 86 50
bujumbura@sdc.net
www.copperation-suisse.admin.ch/grandslacs

# URUKURIKIRANE RW'IBIGANIRO ABANYACUBAHIRO BANE BAHOZE BARONGOYE UBURUNDI BASHIKIRIJE






## IBIMENYESHAMAKURU MU KWIBUKA KAHISE

### BURUNDI 2015



Intumbero ya kazoza y'izi mboneza : Kwibuka no gushira ahabona ukuri

# Ibiganiro vyateguwe n'ibimenyeshamakuru vy'i Burundi

- Ibiganiro vyumvirijwe vyongera birorerwa hagati y'ukwezi kwa Ruhuhuma na Ndamukiza, umwaka w'2015.
- 
- Ku nsamirizi, ibiganiro vyumvirijwe ku misi y'agatandatu kuva isaha zine gushika zitandatu z'agatondo.
- 
- Ku mboneshakure Renaissance na Rema, hari ku misi y'akabiri niy'agatatu na gatandatu, kuri Renaissance na Rema. Ku misi ya gatatu n'agatandatu ku mboneshakure nkuru y'igihugu.
- 
- Mu bimenyeshamakuru vyandika, Iwacu na Renouveau ivyo biganiro vyashikirijwe rimwe mu kwezi.

Schweizerische Eidgenossenschaft
Confédération suisse
Confederazione Svizzera
Confederaziun svizra

Direction du développement
et de la coopération DDC



**Uwatanguje uyu mugambi:** André Guichaoua, Umwigisha muri Kaminuza yitaho ivyigwa bijanye n'Iterambere mu vy'Ubutunzi hamwe no muvy'Imibano (IEDES)-UMR "Développement et Sociétés"

**Umworoshabikorwa:** Furere Emmanuel Ntakarutimana wo mu ba Dominikani

**Uwujejwe gutunganya ibikorwa:** Elyse Ngabire, Umumenyeshamakuru muri Iwacu ajejwe igisata ca poritike

Uno mugambi uhagarikiwe mu Burundi n'i Burayi n'uwo mwigisha wo muri za kaminuza. Kino gikorwa co ku rwego rwa kaminuza ni ico gusubira kwibukanya kahise, hisunzwe akaragamutima ko gushira ahabona ukuri ata nkunzi, no mu guhanahana ivyiyumviro.

Uno mugambi watunganjijwe ubifashijwemwo n'Umuyobozi bujejwe Iterambere n'Ugufashanya (Direction du Développement et de la Coopération, DDC) hamwe n'Igisata kijejwe umutekano w'abantu gikukira Ikigabane ijejwe iv'Imigenderanire n'ibindi bihugu(Division Sécurité humaine du Département fédéral des Affaires étrangères, DFAE, Berne)
Mu Burundi imigambi y'ubwo buyobozi bwose ica mu Biro vy'Ubuswise bijejwe ugufashanya (Bureau de la Coopération Suisse au Burundi).

Uwatunganije kino gikorwa: Elyse Ngabire
Uwahinyanyuye kano gatabu: Elvis Mugisha
Iterefone ngendanwa yiwe: (+257)79 800 535
emugisha@iwacu-burundi.org

Hari ico ubaza wokwakura: Elyse Ngabire
Iterefone ni: 22 25 89 57 / 79 925 654/ 76 002 007
engabire@iwacu-burundi.org



# Ishusho y'umugambi

Mu ntumbero y'ibiganiro vyatunganijwe mu mwaka wa 2012 igihe Uburundi bwahimbaza imyaka 50 iheze buronse intahe y'ukwikukira, umugambi « Ibimenyeshamakuru mu kwibuka kahise » wabateguriye urundi rukurikirane rw'ibiganiro aho abahoze barongoye igihugu c'Uburundi bose uko ari bane bayagira Abarundi n'amakungu ivyaranze intwaro zabo. Nabo ni : Yohani Batisita Bagaza, Petero Buyoya, Sirivesire Ntibantunganya na Domisiyano Ndayizeye.

Si ivy'imbeshere. Uburundi n'igihugu gitangaje muri Afirika aho dusanga abahoze ari abakuru b'igihugu bose uko bagiye barabisikanya bakiriho, bidegemvya kandi bakaba bafise aho bashikiriza intererano yabo mu kwubaka igihugu, mu nama nkenguzamateka ubuzima bwabo bwose kuva aho igihugu gisubiriye kuronka amahoro, Abarundi bakitorera inzego zizobarongora biciye mu matora.

Turi kumwe n'aba banyacubahiro, tugiye kurabira hamwe ivyaranze imyaka 30 ya kahise k'Uburundi.

Ibi biganiro rero si umwanya wo guterana imiragwe, haba namba. Bidufasha ahubwo gusubira kuraba inyuma muri kahise mu gihe bari k'ubutegetsi kugira basigure amabanga bari bajejwe, ihangiro nyamukuru y'intwaro y'umwe umwe muri bo.

Hari abibaza bati mbega ivyiyumviro vyabamurikira vyava he, babishira mu ngiro gute, bari bafise izihe nguvu n'ubuhe buryo bwo kubishira mu ngiro, n'izihe ntambamyi bagiye baragira ? Batereje akajisho inyuma, babona bashoboye kurangura iki? Ni irihe somo bakuyemwo mu bijanye n'ugutunganya intwaro?

# Umugambi w'ibimenyeshamakuru ubwavyo

Mu gihe igihugu c'Uburundi kiriko kija mu kwitegurira amatora icuka ca poritike kitameze neza, abamenyeshamakuru bashatse guha ijambo izi mboneza mu bijanye no kurangura amabanga adasanzwe y'igihugu kugira batange intererano yabo muri kubu na kazoza.

Kuja hamwe rero kw'ibimenyeshamakuru mu gushikiriza ibi biganiro vyerekana intambwe ikomeye y'ubwigenge n'ubuhinga budasanzwe mu gukora bishira hamwe. Ivyo bikaba vyemezwa n'abamenyeshamakuru ubwabo hamwe n'abandi benshi, aba bahoze barongoye igihugu nabo nyene bakabishima.





Ikiganiro kigira kane

# Petero Buyoya

Yatwaye Uburundi incuro zibiri: ubwa mbere yatwaye igihugu kuva mu 1987 gushika mu 1993, ubwa kabiri agitwara kuva mu 1996 gushika mu 2003.
Major Petero Buyoya yagiye ku butegetsi atembagaje intwaro ya Colonel Yohani Batisita Bagaza, hari itariki 3 Nyakanga 1987. Haciye umwaka haciye haduka ubwicanyi mu makomine ya Ntega na Marangara, amakomine abiri yo mu buraruko bw'igihugu ahana urubibe n'Urwanda.
Ico uwo mukenguzamateka yakoze ni ukugerageza guhangana n'ici kibazo kugirango ibintu ntibiyangare. Yaciye ashinga Umugwi ujejwe kwiga ikibazo c'ubumwe bw'Abarundi. Igenekerezo rya 5 Ruhuhuma uko umwaka utashe uca uba umusi wahariwe ihimbazwa ry'Ubumwe bw'Abarundi.
Aho rero yaciye atangura guhinyanyura ibijanye n'intwaro gushika aho yashinga reta igizwe n'igitigiri kingana c'Abahutu n'Abatutsi.
Mu myaka y'1990 hose kw'isi na cane cane muri Afrika haranzwe n'umugambi wo gushinga inzego zishimikiye ku ntwaro rusangi ishingiye kuri demokarasi. Mu nama yabereye i La Baule mu Bufaransa harafatiwe ingingo zihambaye zahinduye ibitari bike muvy'intwaro.
Umukuru w'igihugu Petero Buyoya yarashize mu ngiro uwo mugambi mu kwemera ko hashingwa imigambwe myisnhi harimwo n'umugabwe Sahwanya Frodebu. Uwo mugambwe niwo mbere watsinze amatora yo mu 1993, wari washize imbere Merikiyoro Ndadaye aca mbere aba Umukuru w'Igihugu ariko ntiyatevye kugandagurwa hamwe n'abafasha biwe.
Kuva mu 1993 gushika mu 1996 mu Burundi harateye urwimo. Ntivyatevye, Major Petero Buyoya afashijwe n'igisirikare yaratembagaje intwaro ya Siriveseri Ntibantunganya, indyane n'intambara ntivyacureshe na gato. Harageze aho Uburundi bufatirwa ibihano, hatinda haraba ibiganiro i San Egidio, i Mwanza, i Arusha n'ahandi.



Ikiganiro kigira gatatu

# Domisiyano Ndayizeye



Igihe haba urwimo rwo muri Ndamukiza 1972, yarafise imyaka 19, ni naho yahungira mu mahanga aho muri Repuburika iharanira Demokarasi ya Kongo cahora citwa Zayire. Imana igira ivyayo, yaratinze araronka amahirwe yo kuja kwiga mu Bubirigi mu gisata c'ubuhinga bihanitse.
Arangije amashure, yaciye aja mu Rwanda aho yasanze hari impunzi nyinshi z'Abarundi.
Domisiyano Ndayizeye yinjiye muvya poritike umugambwe Sahwanya Frodebu utsinze mu 1993, Merikoyoro Ndadaye ariwe abimwisabiye ubwiwe. Yaciye amushinga amabanga yo kuyobora Igoporisi kijejwe gucungera imbibe, PAFE.
Kuva mu 2000 gushika mu 2003, Umugabwe Sahwanya Frodebu wagenye Domisiyano Ndayizeye mu mabanga y'Icegera c'Umukuru w'Igihugu mu kiringo ca mbere c'imfatakibanza. Kuva mu 2003 gushika mu 2005 niho yaca aba Umukuru w'Igihugu bwegu.
Ubuhinga yari afise mu bijanye n'ivy'ibiganiro bwatumye agondoza umuhari Cndd-Fdd uremer ibiganiro, hatinda haranaterwa igikumu ku masezerano yo guhagarika ingwano. Ariko rero, ivy'umuhari Palipehutu-FNL wari ukirgwana ntivyamworoheye.
Ni igiki coba caratumye yitako ivya poritike akiri muto? Domisiyano Ndayizeye arabisigura atakurya umunwa nk'uko asanzwe yimereye.



# Ibimenyeshamakuru vyagiye hamwe

**Insamirizi zagize urunani:**

- Insamirizi y'igihugu, RTNB
- Bonesha Fm
- Isanganiro
- Ijwi ry'abanyagihugu, RPA
- Rema
- Renaissance

**Imboneshakure:**

-Télé Renaissance
-Rema TV
-Imboneshakure y'igihugu, RTNB

**Ibimenyeshamakuru vyandika:**

-Iwacu
-Renouveau

Ishirahamwe ry'insamirizi zo mu Burundi

Agasandugu ka posita : 7406 I Bujumbura
Iterefone : 22256086
Umuhora ngurukanabumenyi : abradiodiffuseurs@yahoo.fr

Ikiganiro ca mbere

# Sirivesire Ntibantunganya



Hari mu mwaka w'1994 aho umukenguzamateka Ntibantunganya yashingwa amabanga yo kurongora Uburundi. Ico gihe nticari ico guta mu nda nsa mu bijanye na poritike, ntivyari vyoroshe namba.

Aha twibuke ko umukuru w'igihugu wa mbere yitorewe n'abanyagihugu nyenicubahiro perezida Merekiyoro Ndadaye yarahejeje kugandagurwa itariki ya 21 Gitugutu 1993, hamwe na bamwe mu bamufasha ayo mabanga.

Abarundi barayamaze bati uwugowe n'ivyatsi ntibimubisa, mu nyuma zaho perezida Ndadaye yarasubirijwe na nyenicubahiro Sipiriyano Ntaryamira biciye kure. Ariko nawe ntiyaharagamye kuko yaciye ashengera ahitanywe n'isanganya ry'indege mu gihugu kibanyi c'Urwanda kw'igenekerezo rya 6 Ndamukiza 1994. Uburundi busubira kurwa mw'isanganya.

Ubutegetsi bwa Sirivesire Ntibantunganya ntibwaramvye namba kuko Petero Buyoya yaciye abuhirika muri Mukakaro 1996.

Ikiganiro kigira kabiri

# Yohani-Batisita Bagaza



Coroneri Yohani-Batisita Bagaza yari afise imyaka 30 aho yatembagaza intwaro ya Capitaine Misheri Micombro kuwa mbere Munyonyo 1976. Uwo akaba ari we yari yashinze Repuburika ya mbere.

Mu vyatumye Colonel Bagaza afata igihugu akiva kwiga ivya gisirikare mu Bubirigi, harimwo indyane z'amoko, izifatiye ku miryango no ku ntara zibonekeje zikanaserukira nko mu bihuha ngo vy'abangomba gusenyura reta mu 1969 no mu 1971, Ubwicanyi bwo guhasha bunajaniranya bwatanguye kw'igenekerezo rya 29 ndamukiza 1972, n'ayandi mahano.

Ku ntwaro yiwe yaritwararitse ivy'iterambere mu vy'imibano n'ivy'ubutunzi. Mugabo ntibwakeye kabiri yaciye atangura gushamirana na Ekleziya gatorika, akaba ari navyo vyabaye intandaro y'itembagazwa ry'intwaro yiwe n'uwundi musirikare kw'igenekerezo rya 3 Nyakanga 1987.

None ivyo bihe Umukuru w'igihugu Yohani-Batisita Bagaza yavyifashemwo gute? Abo yafatirako akarorero boba ari nka bande? Ukutumvikana hagati ya reta na Ekleziya gatorika vyatanguye gute? Ingingo Colonel Yohani-Batisita Bagaza yafata arazemanga.

